# 222: Mbega tuzokoranira

1. Mbega tuzokoranira
Ku ruzi ruvugwa rwiza,
Ruca mw ijuru hagati,
Ruv’imbere y' intebe y' Imana?

Ref: Ego me tuzobonana
Kur' urwo ruzi rwiza rw' ubugingo,
Ego tuzobonana n' abera
Imbere y'intebe y'Imana.

2. Tuzogendana ku nkombe
Y' urwo ruzi rw' ubugingo,
Tuzoseng' Imana yacu,
Tuyihimbaza tuyitazira.

3. Yemwe, tutarahashika
Tuzoturw' ibitugoye,
Ubuntu buzodukiza,
Buzotwambik' impuzu z'ubukwe.

4. Tuzohurira n' abera
Ku ruzi rubonerana,
Nta kizodutandukanya.
Kuk' urupfu rutaja mw’ijuru.

Visit us at burundi.indirimbo.com